# INAMA NKENGUZAMATEKA Y'UBURUNDI

IKINYAMAKURU GISOHOKA RIMWE MU KWEZI

N° 011 KIGARAMA 2024


## ABAGIZE IBIRO VY'INAMA NKENGUZAMATEKA



Umwubahwa Denise Ndadaye
Icegera ca mbere c'umukuru w'inama Nkenguzamateka

Nyeniteka Emmanuel Sinzohagera
Umukuru w'Inama Nkenguzamateka

Umwubahwa Fabrice Nkurunziza
Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka

### Intangamarara

Nk'uko bitegekanijwe n'itegeko riringaniza imirimo y'Inama Nkenguzamateka, mu ngingo yaryo ya 64, urwo rwego rusasa gatatu mu mwaka, isasa ryose rikamara amezi atatu. Ukwezi kwa kigarama ni kwo gutangura isasa risanzwe rigira kabiri mu mwaka.

Inyuma y'ibikorwa vyo mu karuhuko k'ukwezi kwa munyonyo abagize urwo rwego bahoramwo, haratunganije ibirori vyo kwugurura iryo sasa risanzwe, kuwa 2 kigarama umwaka w'2024.

Abagize imirwi yamaho baciye baja ku kivi, bafadikanije n'abakozi b'urwo rwego babijejwe, baragira umwihwezo wimbitse w'integuro z'amabwirizwa zitandukanye, mbere zikaba zarizwe zongera ziremezwa n'Inama Nkenguzamateaka muri ukwo kwezi nyene, harimwo nk'iyerekeye isubirwamwo ry'ibwirizwa rishinga amafaranga Reta iriko irakoresha muri uno mwaka w'2024 ushira uw'2025.

Mu bijanye n'ugukomeza imigenderanire n'ugufashanya n'izindi Nama Nshingamateka na Nkenguzamateka, Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Umwubahwa Fabrice Nkurunziza yaritavye ibikorwa vy'inkino zahuje intumwa z'ama Nama Nshingamateka na Nkenguzamateka z'ibihugu bigize Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko, zabereye i Mombasa mu gihugu ca Kenya, kuva kuwa 6 gushika kuwa 18 kigarama, umwaka w'2024.

Ibindi vyaranguwe muri ukwo kwezi, bijanye n'ukwifadikanya n'abenegihugu, mu bikorwa vy'iterambere rusangi, ukuganira na bo, kwakira imyitwarariko bashikirije n'ukugerageza kuyitorera umuti.

## Integuro z'amabwirizwa umunani ni zo Inama Nkenguzamateka itegekanya kwiga mw'isasa risanzwe rya Kigarama, umwaka w'2024

Mu nama ya bose yo ku wa mbere igenekerezo rya 2 kigarama, umwaka w' 2024, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Emmanuel SINZOHAGERA yararongoye ibirori vyo kwugurura isasa risanzwe rya Kigarama, umwaka w'2024.



*Nyeniteka SINZOHAGERA ashikiriza ijambo ryo kwugurura iryo sasarisanzwe*

Mw'ijambo yashikirije abari bitavye ivyo birori, Nyeniteka Emmanuel SINZOHAGERA yarakengurutse ibikorwa vyaranguwe n'abagize urwo rwego, mu karuhuko bari barangije, muri vyo hakaba harimwo uguhimiriza abenegihugu bo mu ntara zitandukanye ngo babandanye guteramira umutekano muri iki kiringo c'imbere y'amatora hamwe no guhimiriza urwaruka rurimwo abigeme kubijanye no kwirinda inda z'indaro. Yarashikirije kandi ibikorwa vyaranguwe n'abagize ibiro vy'Inama Nkenguzamateka haba mu gihugu hagati canke hanze y'igihugu.

Ku vyerekeye ingendo zo hagati mu Gihugu, yamenyesheje ko abakenguzamateka basangiye ikivi n'abenegihugu bongera barumviriza n'imyitwarariko yabo kugirango baze bayishikirize inzego zibijejwe. Abagize ibiro vy'Inama Nkenguzamateka nabo bakaba baragendeye intara za Bujumbura, Karuzi, Cibitoke, Rutana na Mwaro, aho baboneyeho n'akaryo ko kwifatanya n'abenegihugu mu bikorwa vy'iterambere rusangi, kwirabira ingene babayeho canke bariko bariteza imbere.

Kubijanye n'ingendo hanze y'igihugu, Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yamenyesheje ko yitavye ibikorwa vy'Inama igira 18 y'ibiro vy'Abakuru b'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka z'ibihugu bigize umuryango wa Afrika y'Ubuseruko yabereye i Nairobi muri Kenya ku wa 13 munyonyo, umwaka w'2024, aho bari baramutse batora abagize ibiro bashasha bongera bashikiriza zimwe mu ngorane zihanze uwo muryango bategerezwa gutorera umuti.

Yamenyesheje kandi ko yitavye ibikorwa vy'inama y'ishirahamwe rijejwe kwunga ubucuti hagati y'Ubushinwa n'ibindi bihungu, APCAE (mu mpfunyapfunyo

y'igifaransa). Iyo nama yabaye kuva kw'igenekerezo rya 17 gushika ku rya 20 Munyonyo, 2024 mu gisagara ca Kunming co mu ntara ya Yunnan ku civugo : «iterambere rusangi, kazoza gasangiwe na bose.»

Nyeniteka arongoye urwo rwego, yabandanije ashikiriza abari aho ko



*Bamwe mu bakenguzamateka bari bitavye ivyo birori*

kw'igenekerezo rya 14 Munyonyo 2024, Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka nawe, yitavye ibikorwa vy'inama y'abashingamateka n'abakenguzamateka bo kw'isi (UIP) yabaye ku magenekerezo ya 16 na 17 Munyonyo umwaka w'2024, i Bakou muri Repuburika ya Azerbaidjan.

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yarongeye aramenyesha ko kw'igenekerezo rya 11 Munyonyo, umwaka w' 2024, mw'isasa ridasanzwe rya Munyonyo, hisunzwe ingingo y'192 y'Ibwirizwa Shingiro, abakenguzamateka bemeje izina ry' uwari agiye kurongora sentare ntahinyuzwa y'igihugu hamwe n'abari bagiye kurongora ibindi bisata bitandukanye vy'ubutungane.

Iruhande y'ibindi bikorwa Inama Nkenguzamateka isanzwe irangura, Nyeniteka Emmanuel SINZOHAGERA yarongeye kandi arashikiriza integuro z'amabwirizwa zishika umunani Reta y'Uburundi yari yarungikiye urwo rwego kugira ngo zize zigwe mw'isasa risanzwe rya Kigarama, umwaka w'2024 ryari ritanguye.

Mu kurangiza, uyo arongoye urwo rwego, yahamagariye abakenguzamateka kudasamazwa n'uko ikiringo batorewe kigiye kurangira ngo bahave badehukirwa mu kurangura amabanga batorewe.

**Reta y'Uburundi ifatanije n'abikorera utwabo iriko irakora ibishoboka vyose kugira ngo haboneke indege zitiririrwa igihugu c'Uburundi.**

Mu nama ya bose yo ku wa 23 kigarama, umwaka w'2024, yari irongowe n'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Emmanuel Sinzohagera, abakenguzamateka barize bongera baremeza integuro y'ibwirizwa riha uburenganzira Republika y'Uburundi gushira umukono ku masezerano asubiwemwo agenga ivyo gutwara abantu n'ibintu mu kirere. Reta y'Uburundi ikaba yari yarungitse Umushikiranganji Marie Chantal Nijimbere, mu vyo ajejwe harimwo ubudandaji kugira ngo asigure imvo n'imvano y'iyo nteguro y'ibwirizwa.



*Umushikiranganji ajejwe ubudandanji*

Mu nsiguro yatanze, uyo mushikiranganji, yamenyesheje ko iyo nteguro y'ibwirizwa ije kugira Uburundi bushire umukono ku mpinyanyuro zakozwe ku ngingo ya 50 agace ka mbere, n'iya 56 z'amasezerano agenga ivyo gutwara abantu n'ibintu mu kirere kugira ngo ibice vyose vy'umubumbe w'isi vyumve ko biserukiwe.



*Abakenguzamateka mu nama ya bose*

Mu ntumbero yo kurondera umuco, abakenguzamateka babajije ibibazo bijanye n'ugushaka kumenya ko ata turusho Uburundi buhomba kubera ata ndege bufise, barongera kandi barabaza amanota ikibuga c'indege ca Bujumbura coba gifise baravye ibihakorerwa.

Umushikiranganji Marie Chantal NIJIMBERE akaba yaratanze umuco ku bibazo n'amakenga y'abakenguzamateka.

Ku bijanye n'uko Uburundi bwoba bufise uburusho buhomba ugereranije n'ibindi bihugu bifise indege, Umushikiranganji yamenyesheje ko bufatwa nk'ibindi bihugu kubera bufise ikibuga c'indege naho ata ndege bufise. Yaciye agirako amenyesha ko Reta y'Uburundi ifatanije n'abikorera utwabo iriko irakora ibishoboka kugira haboneke indege zitiririrwa igihugu c'Uburundi.

Ku vyerekeye amanota ikibuga c'indege citiriwe Melchior NDADAYE gifise baravye ibihakorerwa, Umushikiranganji yasiguye ko gifise amanota meza kuko mw'isuzumwa ryabaye mu mwaka w'2022 cahawe amanota arenga 70% kivuye kuri 15%.

Umushikiranganji Marie Chantal NIJIMBERE ahejeje gutanga umuco iyo nteguro y'ibwirizwa yaciye yemezwa n'abakenguzamateka bose.

## Amafaranga ari mu madeni y'amakori ategerezwa kugaruka mu kigega ca Reta

Abakenguzamateka barakoranye, ku wa 27 kigarama, umwaka w'2024, mu nama ya bose, yari irongowe n' Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Emmanuel Sinzohagera, aho bari baramutse biga bongera bemeza integuro y'Ibwirizwa risubiramwo ibwirizwa rishinga amafaranga Reta iriko irakoresha muri uno mwaka w'2024 ushira uw'2025




*Abagize Ibiro vy'inama Nkenguzamate*

Umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta, Nestor Ntahontuye niwe yari yarungitswe na Reta kugira ngo ashikirize imvo nyamukuru zatumye Reta yiyumvira gusubiramwo iryo bwirizwa.

Mu mvo nkuru nkuru yashikirije zatumye Reta yiyumvira gusubiramwo iryo bwirizwa, harimwo nk'amafaranga menshi Reta yasohoye ku rugero rutari rwategekanijwe, kubera ko hari abantu bari barakoze ibikorwa muri Reta batari bwarihwe. Ayo mafaranga akaba yamenyekanye mu ntango z'uyu mwaka ujanye n'ikoreshwa ry'amafaranga.

Yamenyesheje kandi ko amakori atatanzwe nk'uko vyari bitegekanijwe. Uyo mushikiranganji yabandanije asigura ko iyindi mvo ari iyijanye n'ingene ubutunzi bwifashe kw'isi, vyatumye haba impinduka ku bijanye n'ingene ubutunzi bwifashe mu Burundi.

Yarashikirije n'ivyerekeye ubuhinga bwo gutoza amakori bikenewe ko butosorwa bugatera imbere



*Umushikiranganji ejejwe ikigega ca Reta*

kurusha. Muri iyo nteguro y'ibwirizwa hakaba hari igihengeri kingana n'imiriyaridi 521,1.

Mu ngingo umushikiranganji Nestor Ntahontuye yashikirije zizotuma amafaranga atozwa yiyongera harimwo; nk'ukwishuza abantu bafitiye Reta amakori, ukurwanya urudandazwa ruciye mu binywabi, gufata cokimwe abatangakori, no kuduza amakori ku nzoga ziva hanze.

Yamenyesheje ko umwenegihugu wese akwije imyaka 18 kandi atarindi shirahamwe ryo kuvuzanya arimwo, abwirizwa kuba afise ikarata CAM yo kwivurizako. Ati: "Twohindura kandi urugero rw'amakori akaduzwa nko ku mazu n'amatongo agurishwa. Tuzogarukana kandi amafaranga ari kuri konte igenewe kurwanya ikiza ca COVID-19."



*Bamwe mu bakenguzamateka bari bitavye inama y'uwo munsi*

Mu vyahindutse muri iyo nteguro y'ibwirizwa harimwo nk'amafaranga ajanye n'ukuronsa umwavu abenegihugu yadugijwe.

Ku bitegekanijwe bijanye n'ingendo ibereye mw'ikoreshwa ry'amafaranga, twovuga nk'ivyerekeye ukurungika abakozi ba Reta mu butumwa bw'akazi hanze y'igihugu, aho hazogenda gusa abagiye mu bikorwa bizanira umusaruro igihugu

Bamubajije ico ubushikiranganji arongoye butegekanya mu ntumbero yo kugabanya igihengeri cibonekeza muri iyo nteguro y'ibwirizwa, umushikiranganji w'ikigega ca Reta yishuye ko amafaranga ari mu madeni y'amakori ategerezwa kugaruka mu kigega ca Reta, kandi ko n'umutahe igihugu cashize mu vyo kwimba ubutare ushobora kuzana umwimbu ushimishije.

Nyeniteka arongoye Inama Nkenguzamateka yarasavye ubushikiranganji bujejwe ikigega ca Reta kuzokorana n'ubushikiranganji bw'amagara y'abantu mu kuraba ingene bwohinyanyura ibijanye n'ikoreshwa ry'amakarata yo kwivurizako CAM, kugira ngo butomore neza abozikoresha, maze Reta ntisange iriko iravuza n'abari bashoboye kwirihira mu yandi mashirahamwe yo kuvuzanya.

Inyuma y'umuco bari bahawe n'uyo mushikiranganji, abakenguzamateka bakaba baciye bemeza ijana kw'ijana iyo nteguro y'ibwirizwa.

## Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka ahamagarira abanyamakamba gukorera hamwe kugira ngo barwize umwimbu

Mu bikorwa vy'iterambere rusangi vyo kuwa 7 kigarama, umwaka w'2024, Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Umwubahwa Denise NDADAYE, ari kumwe na bamwe mu bajejwe intwaro mu ntara ya Makamba, yarifadikanije n'abenegihugu bo muri komine Makamba mu bikorwa vyo gutunganya ahazoba igituro gishasha c'imiduga ku murwa mukuru w'iyo ntara.



*Ibikorwa vy'uwo munsi*

Mw'ijambo yashikirije abari bitavye ivyo bikorwa, Umwubahwa Denise NDADAYE yatumiriye abanyamakamba gushira inguvu hamwe kugira bagwize umwimbu. Yabasavye kandi kubandanya babumbatira amahoro n'umutekano, kwirinde ibihuha muri kino gihe himirije amatora, no bayitegurira neza

Uyo mwubahwa, yarashimiye abakenyezi n'urwaruka kuko bitaba ibikorwa vy'iterambere ku bwinshi, aca agirako ahamagarira abari ng'aho kugira isuku mu mihana iwabo.

## Abarongoye imigambwe basabwa kuzoshira imbere abizigirwa mu matora yimirije



*Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka*

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Emmanuel Sinzohagera ari kumwe na bamwe mu bakozi bakuru bakuru muri urwo rwego, na bamwe mu bajejwe intwaro mu ntara ya Gitega, yarateye iteka, kuwa 12 kigarama, 2024, ibikorwa vy'inyigisho zidasanzwe ku burongozi bwiza, zatunganijwe n'ishirahamwe International Christian Ministries.

Izo nyigisho zabereye kw'ishure kaminuza UPG iri ku murwa mukuru wa politique.

Mw'ijambo ryiwe, Nyeniteka Sinzohagera yashikirije ko uburongozi bwiza ari isoko ry'iterambere. Yasiguye ko iyo uburongozi butameze neza ata mwimbu ushemeye w'ibikorwa uboneka.

Ati: "Umurongozi mwiza si uwukora vyinshi. Kora kimwe ariko kizane umwimbu ushemeye. Ico ujejwe, gikorane umutima wawe wose, ugikunze kandi ufise ubwizigirwa".

Yahamagariye abarundi cane cane indongozi guhinduka bakaba abarongozi beza kugira ngo igihugu gishobore gushika ku mahangiro y'iterambere cihaye: Uburundi bwifashe mu mwaka w'2040, buteye imbere mu mwaka w'2060. Yasavye abarongoye imigambwe kuzoshira imbere abizigirwa mu matora yimirije. Yasiguye ko abarongozi nk'abo ari bo badaharanira inyungu zabo bwite, ariko baharanira inyungu rusangi.

Yarateye akamo ishirahamwe International Christian Ministries ngo ribandanye gutanga inyigisho nk'izo na kare ngo uwutosora ifuku yamiza akatsi mu jisho. Yasavye abari bitavye izo nyigisho kuja gushira mu ngiro ivyo bari bahejeje kwiga.



*Bamwe mu bari bitavye izo nyigisho*

## Gutsimbataze imigenderanire n'ubucuti hagati y'ibihugu bigize Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko biciye mu nkino

Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Umwubahwa Fabrice Nkurunziza, yarafashe urugendo, kuwa 5 kigarama, umwaka w'2024, rwamushikanye i Mombasa mu gihugu ca Kenya, aho yari agiye mu bikorwa vy'inkino zahuje intumwa z'ama Nama Nshingamateka na Nkenguzamateka z'ibihugu bigize Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko. Izo nkino zari zitunganijwe ku ncuro igira 14, zikaba zabaye kuva kuwa 6 gushika kuwa 18 kigarama, umwaka w'2024. Icivugo c'uno mwaka kikaba cari: "Dutsimbataze imigenderanire n'ubucuti tubicishije mu nkino". Uyo mwubahwa, yaganutse kuwa 19 kigarama, umwaka w' 2024.



*Umwubahwa Fabrice Nkurunziza (uwa 1 uva I buryo) aramutsa abaje kumwakira*

Izo nkino zitunganywa uko umwaka utashe, maze ibihugu bigize uyo muryango bigakuranwa kuzakira. Mu ntumbero yazo, harimwo ugutsimbataza imigenderanire, ubucuti n'imibano myiza hagati y'ivyo bihugu.

Bitegekanijwe ko Uburundi buzokwakira izo nkino mu mwaka w'2025, aho zizoba zitunganijwe ku ncuro ya 15.

# Inama Nkenguzamateka

REPUBLIQUE DU BURUNDI

Sénat


Uruganda rw'iyandikiro:

- Umukuru w'iyandikiro: GACUTI Marie Justine
- Abanditsi: Léonce Nimpereza, Jean Nsabimana, Marie Justine Gacuti.
- Amasanamu:

Rapahël Irakoze
Gilbert Niyongere
Prudence Ndimugakirwe
Habonayo Schem
Khalfan Ndayizeye

Gihagarariwe na Clotilde KAMPIMBARE


**Kurikirana ikiganiro c'Inama Nkenguzamateka kuri:**

1. **RTNB (TV)** : Imisi yose ku wa kane (18h 45min)
2. **RTNB (Radio)** : Imisi yose ya gatandatu (9h30min)
3. **Rema (TV)** : Imisi yose ku wa kabiri (21h 00min)
4. **Rema (Radio)** : Imisi yose ku wa mbere (17h30min)


Sénat Burundi,Avenue du peuple Murundi,B.P.114 Gitega, Tél: (+257) 22 40 50 23,(+257) 22 405008,Site web:www.senat.bi